REPUBURIKA Y'UBURUNDI

UBUSHIKIRANGANJI BW'INTWRO YO HAGATI
ITERAMBERE RUSANGI N'UMUTEKANO
INTARA YA BUHUMUZA
KOMINE MUYINGA

# ITANGAZO RIJANYE N'ISUKU N'ISUKURA

MUSITANTERI WA KOMINE MUYINGA

- Yisunze ibwirizwa shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;
- Yisunze ibwirizwa inomero 1/11 ryo kuwa 30 Rusama 2018 ryerekeye amategeko agenga isuku n'isukura ;
- Yisunze itegeko inomero 100/004 ryo kuwa 7/08/2025 rigena Musitanteri wa komine Muyinga ;
- Yisunze itegeko nshikiranganji rusangi inomero 1041 ryo kuwa 18/02/2026 risubiramwo itegeko nshikiranganji rusangi inomero 540/530/630/2010 ryo kuwa 05/082025 rishinga amahadabu atangishwa abarenga amategeko agenga isuku n'isukura ;
- Yisunze ivyapfundikiwe mu nama yabaye kuwa 24 ntwarante 2026 ihuza intwaro, abaserukiye abadandaza, abaserukiye inama ya komine hamwe n'abaserukiye ishirahamwe AKEZA ZERO DECHET ryishinze gusukura ibisagara mu ntara ya Buhumuza ;
- Yisunze icegeranyo c'umurwi wagenywe kugira wige ibijanye n'isuku n'isukura mu gisagara ca Muyinga ;
- Yisunze ineza ya komine n'abenegihugu ;

Ashinze ibi bikurikira :

1. Ibikorwa vy'isuku n'isukura bitegerezwa kubandanya bikorwa muri komine yose ya Muyinga
2. Igisagara ca Muyinga gitegerezwa kwama gisukuye iminsi yose
3. Abenegihugu babwirizwa kwama bakora isuku aho babaye, ku mabarabara, mu ngo zabo, basukura inzu n'ibikoresho vyo munzu ndetse n'ivyambarwa

4. Abenegihugu babwirizwa kwimba nyabarega zo gutamwo umwavu, kwubaka utuzu twa surwumwe tumeze neza hamwe n'ubwogero bumeze neza
5. Abenegihugu bafise amatongo agera ku ma barabara bategerezwa kwama bariko barahasukura
6. Mu gisagara ca Muyinga, umwe wese ategerezwa kwimba ibinogo vyakira amazi ava kumazu yabo kugira ntiyononere ababanyi
7. Abenegihugu baba mu gisagara ca Muyinga bategerezwa kubandanya baterera uburyo kugira ngo ishirahamwe **AKEZA ZERO DECHET** ribandanye risukura igisagara ryongera ryegeranya imicafu yose riyi... mu kibanza cabigenewe. Intererano zizotangwa hisunzwe umwe wese ico akora uku gukurikira :

**Intererano yabenegihugu mu gusukura igisagara ca Muyinga**

| | | |
|---|---|---|
| 1) | Abadandaza bakuru bakuru : | 20000F |
| 2) | Abadandaza ibiti (imbaho) : | 15000F |
| 3) | Abadandaza bato bato : | 5000F |
| 4) | Abayangayanga : | 5000F |
| 5) | Agence de transport (voyage) : | 30000F |
| 6) | Aho bogereza imiduga(Car wash) : | 40000F |
| 7) | Ama restaurants manini manini : | 20000F |
| 8) | Ama restaurants matomato : | 10000F |
| 9) | Amagarages matomato : | 20000F |
| 10) | Amagarages manini manini : | 30000F |
| 11) | Amahinguriro (usine de transformation) : | 50000F |
| 12) | Amahoteri (Hôtels) : | 30000F |
| 13) | Amasengero : | 20000F |
| 14) | Amashure yigenga : | 30000F |
| 15) | Amavuriro yigenga : | 30000F |
| 16) | Atelier de menuiserie : | 15000F |
| 17) | Bar boisson locale (ibinyobwa vy'ikirundi) : | 5000F |
| 18) | Bar moderne simple (Brarudi et autres) : | 10000F |
| 19) | Bar Restaurant : | 20000F |
| 20) | Boucherie : | 5000F |
| 21) | Imiduga minini minini ica amafaranga: | 20000F |
| 22) | Imisigiti : | 20000F |

| | | |
|---|---|---|
| 23) | Kiosk mwisoko : | 5000F |
| 24) | Moulins (imashini zisya) : | 10000F |
| 25) | Pharmacie (imiti) : | 10000F |
| 26) | Poste à souder : | 15000F |
| 27) | Salons de coiffure (VIP) : | 15000F |
| 28) | Salon de beauté : | 15000F |
| 29) | Salons de coiffure simple : | 5000F |
| 30) | Secrétariat public : | 5000F |
| 31) | Station (igitoro) : | 50000F |
| 32) | Studio (maison de production) : | 5000F |
| 33) | Studio (maison de vente musique) : | 3000F |
| 34) | Taxi-Moto : | 3000F |
| 35) | Taxi-Vélo : | 1000F |
| 36) | Taxi-Voiture : | 10000F |
| 37) | Urugo (ménage) : | 4000F |

**Menya neza : -** Ayo mafaranga azokwama atozwa buri kwezi **guhera itariki 1 kugeza kw'itariki 5**.

- Bisabwa ko atawogorana ku bijanye no gutanga ayo mafaranga ku gihe gitegekanijwe kuko yohanwa hisunzwe amategeko.
- Umwenegihugu azohabwa igitansi kitariko ibidodo bibiri : ic'ishirahamwe AKEZA ZERO DECHET hamwe n'ica Komine Muyinga asabwe guca abimenyesha intwaro.

Musitanteri asozereye asaba ko abajejwe intwaro ku nzego zose, abajejwe umutekano hamwe n'abenegihugu bose bofasha mu guhimiriza no kuraba ko ivyo vyose vyadondaguwe biriko biraja mu ngiro neza kugira ngo isuku rikwiye rirangwe muri komine ya Muyinga ku neza yabenegihugu n'iya komine muri rusangi akabipfuriza kandi gutera imbere umwe wese mu bikorwa vya minsi yose ajejwe. MURAKOZE

**Bigiriwe i MUYINGA kuwa……25……/….03…./2026**

**Musitanteri wa Komine**

**Umushingamateka MISAGO Amédée.-**